RUMURIKIRANGABO

TRIMESTRIEL



Nº 175 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Gitugutu 2026



P4

Ugufashanya mu vya gisirikare bifise uruhara ntangere



P5



P8

Urwego FDNB ntiruhengeshanya gukomeza inyigisho n'imyimenyerezo mu bisata vyose.

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

FDNB:Urwego kirumara mukubungabunga amahoro n'umutekano

Uruganda rw'ikinyamakuru

Uwurongoye Ikinyamakuru

Gén-Bde BARATUZA Gaspard

Uwurongoye Uruganda

Col GAHONGANO Emmanuel

Umunyamabanga

Maj NGEZAHAYO Serge

Icegera c'umunyamabanga

Maj NZAMBIMANA Norbert

Uwuhinyanyura ikinyamakuru

Maj NDUWIMANA Eddy

Abanditsi

Col HAKIZIMANA Prosper

Lt-Col NDAYIRAGIJE Côme

Lt-Col NDAYISABA Roger

Lt-Col BAZIRUTWABO Herman

Lt-Col MANIRAMBONA Diomède

Maj NININAHAZWE J.M.V

Maj NGENZEBUHORO Alice

Maj NTAKARUTIMANA Ruth

Maj IRADUKUNDA Juste

Maj HABOGORIMANA J.B

Capt NIYINDAGIRIRA Melchiade

Capt BIGIRIMANA Thaddée

Lt MUGISHA Arlène

Iruhande y'ubutumwa nyamukuru bwo gukingira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco, no gucungera abanyagihugu n'ivyabo ; urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) ruritanga kandi mu bikorwa vyo kugarukana amahoro aho biba bikenewe hose.

Mu mwaka w'2007, ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika bwaremeje ko Uburundi burungika ikontenja ya mbere mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu gihugu ca Somariya, AMISOM. Urwego FDNB rukaba rwarungitse umugwi wa mbere w'ingabo kuwa 23 Kigarama 2007. Ico kikaba ari kimwe mu bimenyetso bigaragaza ingene ku rwego mpuzamakungu basanzwe bizigiye igihugu c'Uburundi muri rusangi, na cane urwego FDNB.

Ku vyerekeye ubwo butumwa bwo kugarukana amahoro muri Somariya kurwego rw'ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika, kubera ubutwari n'ukwitanga kw'ingabo z'Uburundi mu kurangura neza ubutumwa bajejwe, vyatumye izo ngabo zizigirwa cane maze n'ibitigiri birongerezwa ku rubuga. Nico gituma mu mwaka w'2007-2008, izo ngabo zari zingana n'ibatayo imwe y'abasirikare 850 ; maze budakeye na kabiri zirongerezwa gushika kuma batayo atandatu agizwe n'ingabo ibihumbi bitandatu (6.000).

Ukwo kwongereza izo ngabo kwakurikiwe mu myaka y'2010 n'2014 n'ibikorwa vy'intambara bikomeye izo ngabo zakoreye mu turere zari zicungereye mu ntumbero yo kubohoza ibirindiro n'ibibanza bikuru bikuru vya reta ya Somariya, na cane ku murwa mukuru Mogadisho. Muri ico kiringo ingabo z'Uburundi zikaba zabigizemwo uruhara rukomeye cane.

Kubera ubwo butwari, amakungu yabandanije kwizera cane urwego FDNB. Mu mwaka w'2014, ishirahamwe mpuzamakungu ONU, ryaciye risaba Uburundi ko burungika ikontenja y'ingabo 850 mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu gihugu ca Centrafrika. Kuva muri uwo mwaka rero w'2014, ikontenja y'ingabo z'Uburundi ibandanya kwitanga itiziganya mu kurangura neza ubutumwa irimwo mu gihugu ca Centrafrika nk'uko bisabwa n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU. Maze ivyo bikaba bitera iteka igihugu c'Uburundi kubera ibikorwa vyiza vy'urwego FDNB.

Tubandanirije aho nyene, Uburundi buherutse kwakira Umugwi w'abahinga muvyo kwivuna abansi no gutsimbataza amahoro n'umutekano mw'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika. Uwo mugwi ukaba wakoraniye i Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya 15 gushika ku rya 18 nyakanga 2026, ikaba yari inama igira icumi n'umunani aho yari yitabiriwe n'abahinga bavuye mu bihugu 43. Mu kiringo c'iminsi ine iyo nama yamaze, ibikorwa vyagenze neza cane haba mu nteguro, mu kwakira abaje mu nama, eka mbere no kuvyerekeye uburaro no kubafungurira. Mukaba mwomenya y'uko Uburundi bubaye igihugu kigira kabiri kimaze kwakira inama yo kur'urwo rwego inyuma y'igihugu ca Misiri. Izindi nama zose nkizo zimaze gutunganywa zabereye ku cicaro gikuru c'ishirahamwe ry'Ubumwe bw'Afrika Addis Abeba.

Tugerageje kwihweza ingene abitavye iyo nama bavuye mu bihugu bitandukanye vy'Afrika bakiriwe mu cubahiro n'iteka ridasanzwe, ni ikimenyetso gihambaye kandi atawokekeranya cerekena ubwira n'ishaka Uburundi busanzwe bufise mu gushira mu ngiro imbono kazoza ya Afrika, ijanye no «Gucecekesha ibirwanisho bicira umuriro ku mugabane wose w'Afrika bitarenze mu mwaka w'2063».

Urwego FDNB rurangurana ubuhinga n'ubumenyi ibikorwa rujejwe, kandi ivyo si agaseseshwarumuri, umwimbu uragaragara. taworeka gushimira abagize urwego FDNB bakwiye gushimirwa kubera indero ibaranga n'ingene bitanga batiziganya ; kuko ibikorwa vyiza barangura bikomeza gutera iteka igihugu cacu ku rubuga, haba mu gihugu hagati canke mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu makungu. Uwo mwete n'ubwira rero, nk'uko ku rwego mpuzamakungu basanzwe babizi, ni ikintu c'inkoramutima kikaba n'ishingiro ry'icizere ku rwego FDNB, na cane cane ku kugene rwitanga mu butumwa bwo kubungabunga amahoro n'umutekano.

Gén-Bde BARATUZA GASPARD

Ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika ryiyemeje gutsimbataza amahoro n'umutekano

Umugwi w'abahinga muvyo kwivuna abansi, n'ugutsimbataza amahoro n'umutekano (CTSDSS) mw'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika warakoraniye i Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya 15 gushika ku rya 18 Nyakanga 2026, inama ikaba yagira iya cumi n'umunani. Ivyo bikorwa vy'abarongoye inzego z'ukwivuna abansi , vy'abajejwe amahoro n'umutekano, hamwe n'abashikiranganji b'ukwivuna abansi n'ugutsimbataza amahoro n'umutekano mw'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika, vyari ivyo kurabira hamwe ibibazo bijanye n'ukwivuna abansi hamwe no gutsimbataza amahoro n'umutekano ku mugabane wa Afrika.

Inama yakoranije abaserukiye ibihugu mirongo ine na bitatu bigize ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika yarabaye kuva kw'igenekerezo rya 15 gushika kw'igenekerezo rya 18 Nyakanga 2026 i Bujumbura. Iyo nama Umushikiranganji Marie Chantal Nijimbere yarashimiye kandi ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika mu kwitwararika gushira mu ngiro ihangiro ryo mu 2063. Yaranashimiye kandi abarongoye inzego z'ukwivuna abansi ku bikorwa ziyihanze.

Ku ruhande rwiwe, Jenerari Majoro Jean Claude Niyiburanira, yararongoye iyo nama y'umurwi w'abahinga yarashimikiye cane kugukorera



Ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika ryiyemeje kugarura amahoro n'umutekano muri Afrika yose

ikaba yakoranije umugwi w'abahinga b'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika ujejwe ivyo kwivuna abansi ,gutsimbataza amahoro n'umutekano , ikoranya kandi abarongoye inzego z'ukwivuna abansi hamwe n'abashikiranganji bo kwivuna abansi no gutsimbataza amahoro n'umutekano. Ibikorwa bikaba vyari vyerekeye guhanahana ivyiyumviro kuvyerekeye ingorane z'umutekano Afrika yoba ifise mu ntumbero yo kurondera ingene zotorerwa umuti urama.

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Marie Chantal Nijimbere akaba ariwe yararongoye iyo nama kandi yongera aranayisozera. Yarashimiye

abaje baserukira ibihugu bitandukanye ku buhinga n'ubumenyi bakoranye ivyo bikorwa.Yarakengurukiye abo baje baserukira ibihugu bitandukanye no ku ngingo bashitseko mu gusozera iyo nama. bakoze ati ivyegeranyo n'ibindi bakoze vyatumye abashikiranganji biborohera mu bikorwa nabo barimwo muriyo nama.

Ku ruhande rwiwe, Jenerari Niyongabo Prime, umukuru w'urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi nawe yararongoye inama igira iya mirongo ibiri na rimwe (21e session) y'abarongoye inzego z'ukwivuna abansi, gutsimbataza amahoro n'umutekano, inama yari mur'iyo ntumbero nyene y'inama ya cumi n'umunani y'uwo murwi w'abahinga. Yamenyesheje ko iyo nama atunganijwe mu ntumbero yo gushira mu ngiro ihangiro ry' 2063 y'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika rifise icivugo kigira giti « Inyishu y'ingorane z'abanyafrika zizotorerwa umuti n'abanyafrika nyene ».

Yamenyesheje ko ari mur'iyo ntumbero yo guterera mu kubaka Afrika ifise amahoro, itekanye kandi ishobora yonyene gutorera umuti ingorane hamwe kw'ibihugu vya Afrika kugira bishobore gutora inyishu irama ku bijanye n'ingorane zama zibonekeza z'umutekano ku mugabane wa Afrika. Yaribukije nawe nyene ko ibikorwa vyari bishimikiye kugushira mu ngiro ihangiro ry'2063 ry'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika muri wa mugambi w'uko ata nkoho yosubira kumvikana muri Afrika gurtyo tukubaka Afrika itekanye ata ntambara iharangwa.

Iyo nama ikaba yasozerewe bashitse ku ntambwe ishimishije mu kwiyemeza gukomeza gufashanya ku mugabane wa Afrika mu vyerekeye kwivuna abansi hamwe no gutsimbataza amahoro n'umutekano hisunzwe ivyipfuzo n'ivyiyumviro vy'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika kugira Afrika igire amahoro kandi itere imbere.

Capt BIGIRIMANA THADDEE

Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba burakomeza gufashanya n'ibindi bihugu mu vya gisirikare

Mu kiringo ca Mukakaro gushika Nyakanga 2026, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Marie Chantal Nijimbere yarahaye umubonano abashitsi batandukanye. Muvyo baganiriye kwari guhanahana ivyiyumviro mu ntumbero yo gukomeza gufashanya mu vya gisirikare n'ibindi bihugu eka mbere n'ibisata mpuzamakungu

Mu ntumbero yo gukomeza gufashanya mu vya gisirikare n'ibindi bihugu bigenzi vy'Uburundi eka mbere n'ibindi bisata mpuzamakungu bisanzwe bifashanya n'Uburundi,umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Marie Chantal Nijimbere yaragendewe n'icegera c'umushikiranganji wa mbere wa reta, akaba kandi n'umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba muri Republika iharanira intwaro rusangi ya congo, Guy Kabombo Muandiavita. Uwo mushikiranganji wa Congo akaba kandi yari yitabiriye inama isanzwe igira cumi n'umunani y'umurwi w'abahinga mu vyerekeye kwivuna abansi n'umutekano w'ibihugu bigize umuryango w'ubumwe bwa Afrika. Izo ndongozi zikaba zaraganiriye mu vyerekeye gukomeza gufashanya hamwe no guhana amakuru.



Mubiganiro bagiranye, umushikiranganji w'ukwivuna abansi w'Uburundi n'uwa Kongo (RDC) barayaze kubintu bitandukanye mu ntumbero yo gukomeza gufashanya hagati yivyo bihugu

Umushikiranganji Marie Chantal Nijimbere yarahaye kandi umubonano umuyobozi w'ikigo kijejwe amahoro kiri mw'ishirahamwe mpuzamakungu mu vyerekeye inyigisho n'ubuhinga ((UNITAR), Karambizi Evariste. Bakaba baganiriye mu vyerekeye gufashanya hagati y'ubwo bushikiranganji n'ico gisata mpuzamakungu. Uko gufashanya kugashimikira mu vyerekeye inyigisho n'ibikoresho ku ngabo zitegura kuja kugarukana amahoro n'umutekano mu bindi bihugu.

Mubijanye nogukomeza gufashanya mu vya gisirikare, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Marie Chantal Nijimbere yarakiriye kandi mu biro iwe, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, w'igihugu ca Congo-Brazaville, Zéphyrin Mboulou. Bakaba nabone baganiriye ivyerekeye gukomeza gufashanya mu vyagisirikare mu gusabikanya ubumenyi, ubuhinga n'amakuru mu ntumbero yo gukomeza amahoro n'umutekano w'ivyo bihugu.

Ibindi bikorwa bikuru bikuru vyaranguwe n'umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, n'uko yarongoye inama y'abashikiranganji bajejwe ivyo kwivuna abansi, b'ibihugu bigize umuryango w'ubumwe bwa Afrika. Ikaba yari inama igira cumi n'umunani y'umurwi w'abahinga muvyo bajejwe harimwo kwivuna abansi, amahoro n'umutekano w'ivyo bihugu bigize umuryango w'ubumwe bwa Afrika, inama yabereye i Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya cumi na gatanu gushika ku rya cumi n'umunani Nyakanga 2026. Mur'iyo nama, umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, Marie Chantal Nijimbere akaba yamenyesheje ko Uburundi bwiyemeje guterera bimwe biboneka mu gutsimbataza amahoro n'umutekano muri Afrika.



Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi burakomeza gufashanya n'ibindi bihugu

Lt-Col NDAYIRAGIJE CÔME

Iyugururwa ry'umwaka w'inyigisho w'2026-2027 mu rwego FDNB

Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi rwaruguruye ku mugaragaro kuri uyu wa 13 Mukakaro umwaka w'i 2026 mu Mabanda umwaka w'inyigisho w'i 2026 ushira 2027. Bitewe iteka n'umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi Jenerali Niyongabo Prime, ivyo birori bikaba vyabereye mu kambi yo mu Mabanda yo mu karere ka kane ka gisirikare akaba ari naho hariko habera umwimenyerezo wa CPX wo ku rwego rwa Brigade.

Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi rwarashize inguvu zidasanzwe mu gukomeza inyigisho n'imyimenyerezo mu ngero zose zigize urwo rwego. Ni muri iyo ntumbero rero, urwo rwego uko umwaka utashe rwama rutanga intumbero y'inyigisho ku mice yose igize igisirikare c'Uburundi. Kugurura rero icese uwo mwaka w'inyigisho bikaba ari intango yo gushira mu ngiro intumbero urwego rwo kwivuna abansi ruba rwaratanze.



Imyimenyerezo n'inyigisho ni inzira nyayo igana mubu nyamwuga

Mu birori vyo kugurura umwaka w'inyigisho, Jenerali Niyongabo Prime akaba yaribukije ko inyigisho n'imyimenyerezo ariyo nzira yo nyene yo kongereza ubushobozi bwa gisirikare n'ubunyamwuga mu rwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi. Akaba yasavye intwazangabo zaraho gushimikira ku myimenyerezo nkomeza mubiri n'ubuhinga ariryo bigize ishimikiro y'igisirikare c'abanyamwuga bashobora kurangura neza ubutumwa yaba mu gihugu hagati canke mu makungu. Muri uyu mwaka mushasha rero, umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi akaba ahamagarira indongozi ku ngero zose kwitanga koko mu nyigisho kugira bashike ku ntumbero zatanzwe, na cane cane mu kwongereza ubushobozi bwo guhangana n'umwansi.

Umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi akaba yabandanije ashimira Leta y'Uburundi muri rusangi na cane cane umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba na Kizigenza w'inzego z'umutekano no kwivuna abansi Ndayishimiye Evariste ku mwitwarariko afise wo guteza imbere urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi mukuruha ibikoresho vya gisirikare vya none.

Uwo mwimenyerezo wa CPX ku rugero rwa Brigade wari watunganijwe kuva kw'igenekerezo rya gatandatu gushika kurya 13 Mukakaro 2026 mu Mabanda ukaba wari witabiriwe n'intwazangabo bavuye mu burere bwa gisirikare butandukanye bugize igihugu cacu. Uwo mwimenyerezo ukaba wari ugamije gusuzuma urugero n'intambwe yaba mu nteguro, mu gufata ingingo ndetse nomu kurongora ibikorwa vya gisirikare.



Indongozi za gisirikare zihamagarirwa kwitanga cane mu bikorwa vy'inyigisho

Maj IRADUKUNDA JUSTE

Ishure ry'igisirikare ryigisha gutwara ibatayo n'ugutunganya ivyerekeye ingabo (ECBEM) ryarasozereye inyigisho ku murwi wa 15

Umurwi wa 15 w'ishure ry'igisirikare ryigisha gutwara ibatayo nugutunganya ivyerekeye ingabo (ECBEM) wararonse impapuro zemeza ko warangije inyigisho, inyuma y'ikiringo c'amezi atanu. Ibirori vyo gusozera izo nyigisho bikaba vyatewe iteka n'icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna Abansi rw'Uburundi (FDNB), Lieutenant-Général Jean Paul Habimana, mukigo c'iryo shure ziri Kinanira ca 4.

Ishure ry'igisirikare ryigisha gutwara ibatayo nugutunganya ivyerekeye ingabo (ECBEM) ryarateguye, ku wa 4 Nyakanga 2026, ibirori vyo gutanga impapuro zemeza ko barangije inyigisho ku ntwazangabo zo mu murwi wa 15 w'iryo shure. Izo nyigisho zari zigamije kongereza ubushobozi n'ubumenyi bwizo ntwanzagabo, no kubategurira kurangura neza amabanga bajejwe.

Muri ico kiringo c'inyigisho, abitabiriye izo nyigisho bararonse akaryo ko kwagura ubumenyi bwabo no gutsimbataza ubushobozi bukenewe kugira bashobore kurangura neza amabanga bazoshingwa muri kazoza.

Mw'ijambo ryiwe, icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), Lieutenant-Général Habimana Jean Paul, yarakeje abarangije izo nyigisho kubera umwete, indero ya gisirikare berekanye mu kiringo cose c'inyigisho. Yarashimiye kandi ukwitanga izo ntwanzangabo zagaragaje kugira baronswe ubumenyi hamwe no kwitegurira ibisabwa n'umwuga w'igisirikare.

Yarashimikiye kandi ku kamaro kamashure yigisha ivyo gutwara ya gisirikare. Ku bwiwe, ayo mashure akaba afise uruhara ntangere mu gutegura intwazangabo kugira bashobore guhangana n'ingorane n'ibibazo urwego rw'ukwivuna abansi ruhura navyo murikigihe no muri kazoza.



Intwazangabo zisabwa gushira mu ngiro ubumenyi zaronkejwe aho zizorungikwa gukorera hose



Icegera c'uwurongoye FDNB arakeza intwazangabo ku ntambwe zishitseko mumwuga wa gisirikare

Kubarangije inyigisho, yabahimirije gukoresha ubumenyi n'ubushobozi baronse mu nyigisho zabo mu gukorera igihugu. Yabibukije ko amabanga ajanye nivyo gutwara adasaba gusa ubumenyi bw'umwuga, ariko kandi saba kumenya gutunganya neza neza ibikorwa vya gisirikare , no kwitwararika ivyo bajejwe.

Yarabibukije kandi ko ibikorwa vyose bakora bishobora kugira ingaruka zibarengeye kandi zishobora nogukora ku gihugu basanzwe bakorera.

Umuyobozi w'ishure rya ECBEM, Colonel Ntahondereye André, nawe kuruhande rwiwe yavuze ko ishirwaho ry'iryo shure ryafashije mu kwigisha intwazangabo zifis ubushobozi bwo kurongora neza ,kandi bashobora kurangura ibikorwa vya gisirikare

Lt MUGISHA ARLÈNE

Itangwa ry'impapuro ndangiza nyigisho ku bisongerezi vy'intwazangabo bo mu mugwi wa 54

Ishure Ruramurirangabo ry'i Bururi ryaratunganije kw'igenekerezo rya 27 Nyakanga 2026 ibirori vyo kurangiza inyigisho hamwe n'ugutanga impapuro ndangizanyigisho ku bisongerezi vy'intwazangabo bo mu mugwi wa 54. Inyuma y'amezi agera kuri cumi n'atandatu mu nyigisho zibanze zisaba kwitanga, ibi bisongerezi vy'intwazangabo bakiri bashasha bariteguye guhamvya abandi mu bikorwa vya gisirikare kugira baje gutwara imigwi mitomito y'abasirikare cumi cumi ku rubuga.

Ibirori bikaba vyari vyatewe iteka n'umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerali Niyongabo Prime, bikagaragaza umwitwarariko munini Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi rushira mu gisata c'inyigisho ku basirikare.



Ibisongerezi vy'umugwi wa 54 bahamagarirwa kuzorangura neza amabanga mashasha

Mu ntumbero yo kubandanya kugira igisirikare c'abanyamwuga hamwe no kwongereza ibitigiri, urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi rukaba rurajwe ishinga no kubandanya rukarihishiriza ubwenge Mw'ijambo nyamukuru ry'uwo musi, umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerali Niyongabo Prime akaba yarashimiye Leta y'Uburundi uko yitaho urwo rwego cane cane igisata gihambaye c'inyigisho za gisirikare. Umukuru w'urwo rwego kandi akaba yaranashimiye ibisongerezi vy'intwazangabo bagize uwo mugwi wa 54 ku ndero, umwete ndetse n'ukutadohoka bagaragaje mu gihe cose c'inyigisho. Akaba yanabasavye kurangurana umwete ivyo bazoba babashinze yongera anabibutsa ko kwivuna abansi rw'Uburundi arizo : indero ya gisirikare, ugukunda igihugu, kubaha amategeko, ubunyamwuga no gusenyera ku mugozi umwe.

Lt Col Bazombaza Jean Bosco atwara ishure Ruramurirangabo nawe mw'ijambo akaba yarakengurukiye Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi ku bufasha butandukanye baha iryo shure arongoye. Akaba kandi yaranashimiye ivyo bisongerezi vy'intwazangabo bagize umugwi wa 54 ku ruhara rwabo kugira bashike k'uyo musi udasanzwe, yongera abatekerera impanuro zirashe. Yabatumiriye kwihutira gukurikiza ivyo bize mw'ishure n'ibindi bijanye n'ibikorwa vya gisirikare, ivyo vyose bigakorwa batibagiye kumviriza no gukurikiza impanuro za bakuru babo mu mwuga wa gisirikare.

Mukwerekana ubukerebutsi n'ubuhinga bw'iyo mikangara y'ibisongerezi, ibirori vyaranzwe na defile ya gisirikare, karate, ubuhinga bwo kwivuna umwansi butandukanye, ihiganwa ry kwiruka ibilometero bitandatu bitwaje ivyankenerwa vyose vy'umusirikare, ihiganwa ryo kurasa hamwe rero n'umwimenyerezo w'ibikorwa vya gisirikare.

Ibirori vy'uwo musi bikaba vyarangijwe n'itangwa ry'ubushimwe ku bisongerezi vy'intwazangabo bo muwo mugwi wa 54 bigenjeje neza mu nyigisho hamwe nababaye abasirikare barugize. Ishuri Ruramurirangabo ry'i Bururi rikaba ituta ry'ibisongerezi rifise uruhara ntangere muri ico gikorwa co kuramura.



Inyigisho za gisirikare n'igikorwa c'amaho

inyigisho za gisirikare zibandanya. Jenerali Niyongabo Prime akaba yabandanije abibutsa ko kurongora abandi neza bisaba kwishimikiza za nkingi zitanu z'Urwego rwo aba mbere mu mahiganwa yari yateguwe uyo musi.

Maj IRADUKUNDA JUSTE

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwararonse abakomando bashasha

Ikigo kijejwe kumenyereza abakomando caratunganije ibirori vyo gutanga impapuro ku mikangara mishasha y'abakomando yo mu mugwi w'139, hari kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga 2026. Ibirori vyabereye mw'ikambi ya 211 y'abakomando ico kigo gisanzwe gitwarwamwo.

Mu ntumbero y'ugukomeza ubunyamwuga bw'abasirikare,urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwama rwitwararika igihe cose imyimenyerezo yabo. Ni muri iyo ntumbero hama harungikwa abasirikare muri ico kigo bo mu migwi itandukanye mu gihe baba bahejeje kuronswa inyigisho z'intango. Umugwi w'139 wararangije inyigisho z'amezi atatu zitegurira abasirikare ibikorwa vyo kurwanya umwansi bihambaye. Ibirori vyo gutanga izo mpapuro zo kurangiza inyigisho zatewe iteka n'icegera c'umukuru w'umuce w'abasirikare barwanira hasi,Général-Major Ndizigiye Eliya.



Icegera c'uwurongoye ingabo zigwanira hasi yarakeje abakomando bashasha kuntambwe bateye

Mw'ijambo ry'ikaze,uwurongoye diviziyo ya kabiri ya gisirikare Général de Brigade Manirakiza Désiré yarashimiye cane uburongozi bw'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku kungene ataco butakoze kugira izo nyigisho ziranguke neza. Yaboneyeho akaryo ko gutera intege abakomando bashasha kugira bazokwitange uko bashoboye mu gukingira neza imbibe z'igihugu,akamenyesha ko ata ntambamyi nimwe izohaba kuko bafise ibikenewe vyose kugira babishikeko.Uwurongoye idiviziyo ya kabiri ya gisirikare yarashimye cane ukwitanga k'uwurongoye ico kigo eka n'abigisha bandi bamufasha ku nguvu zidasanzwe bashira muri uwo mwimenyerezo kugira urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwame ruronka abakomando babushitse bashobora kurangura neza ibikorwa vyose babatumye.

Mw'ijambo nyamukuru, icegera c'uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi yarakeje iyo mikangara ku nyifato idasanzwe berekanye mu gihe bari mu nyigisho na cane cane ko wasanga ibikorwa bakora ari ibikorwa bibasaba inguvu z'umubiri,ukwihangana hamwe n'indero ya gisiirkare.Yarabakeje ku ntambwe bagezeko ariko yongera arabahamagarira kuzokwitabira izindi nyigisho kugira bazobe abasirikare bigishijwe vyose kandi b'abanyamwuga. Général-Major Ndizigiye Elie yaratekereye impanuro iyo mikangara y'abakomando bashasha zizobafasha kurangura neza umurimo w'iteka wo gukingira igihugu. Yaranabibukije ko ubuhinga n'ubumenyi baronse muri ico kigo ari ubwo gukoresha ibikorwa bizohesha iteka uwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ahanini bigizwe n'ugukingira igihugu ,gukingira abenegihugu n'ivyabo.

Ibirori vyo gutanga impapuro z'ukurangiza inyigisho ku mugwi w'139 w'abakomando vyerekana umwitwarariko wamaho w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi wo kwama bigisha abasirikare babushitse bashobora kurangura ibikorwa vyose bijanye n'ugukingira igihugu.



Abakomando bashasha barerekanye ubuhinga butandukanye bwo gusimba imodoka iri mumuvuduko

Maj NININAHAZWE J.M.V

Ibirigade ijejwe gukingira inzego irashimishwa n'umwimbu w'2025-2026

Ibirigade ijejwe gukingira inzego (BSPI), kw'igenekerezo rya 22 Mukakaro 2026 yaratunganije ibirori vyo kurabira hamwe umwimbu w'umwaka wi 2025-2026. Uwo munsi mukuru wari ufise intumbero yo kurabira hamwe ivyaranguwe mur'uwo mwaka urangiye hamwe nokwigutegurira umwaka mushasha w'inyigisho.

Mw'ijambo ryiwe, uwurongoye ibirigade ijejwe gukingira inzego, Général de Brigade Banyankimbona Richard arashima umwimbu baronse muruyu mwaka urangiye. Arashima kandi ukwitanga abagize iyo birigade bagaragaje bagashika kwihangir bihaye.

Ivyo birori vyaranzwe n'iyerekanwa ry'ubushimwe butandukanye BSPI yaronse mumwaka 2025-2026. Nkuko vyavuzwe na Général de Brigade Banyankimbona Richard ubwo bushimwe ni ikimenyetso c'ubuhinga ubwira n'ubukerebutsi.

Uwutwara BSPI yatumiriye umusirikare wese agize iyo brigade kugwiza utwigoro n'abasirikare bose bagize iyo brigade. Yibukije ko ubushimwe baronse ari umwimbu w'ibikorwa vyabo,w'indero ya gisirikare hamwe n'ukwitanga kudasanzwe.



BSPI irashimishwa n'umwimbu w'uno mwaka

Kubwiwe, umwimbu bashitseko wavuye kundero ya gisirikare berekanye,mugukorera hamwe, umwete n'ukwitanga mukurangura amabanga biranga abasirikare bo muri birigade ijjwe gukingira inzego. Yarateye intege abasirikare bagize iyo birigade bw'iyo birigade mubisata bitandukanye, na cane cane mu myimenyerezo ya gisirikare hamwe no munkino zitandukanye. Uko kuronswa ubushimwe bwinshi birerekana urugero rwokwitanga, hamwe nubushobozi BSPI ifise.



Uwurongoye BSPI arashimira cane abagize iyo birigade ku mwete n'ukwitanga kwabo

abipfuriza kubandanya umwete wo kubungabunga ivyo bagezeko, hamwe no kubandanya bakorera igihugu mu gukoresha kugira babungabunge iyo ntabwe.Yaribukije ko inyigisho zobandanya zigashimikira kugufatana munda kandi zikama zisunga inkingi 5 ngenderwako zúrwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi.

Mukwerekana ubwo bushimwe, Général de Brigade Banyankimbona Richard yarashimye utwigoro twose twakozwe

Yavuze ati : «Intsinzi turiko turahimbaza uyumunsi ikwiye kutubera isoko y'umwete wo gukora cane. Bizodusaba kongereza inguvu kugira BSPI igumane ikibanza cambere mumahiganwa atandukanye ya gisirikare,kandi ibandanye iba akarorero keza mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. » Uretse ibindi bikorwa ishobora kuronswa,igikorwa nyamukuru c'Ibirigade ijejwe gukingira inzego, mu mpfunyapfunyo y'igifaransa (BSPI) ni ugucungera umutekano no gukingira inzego z'igihugu hamwe n'abategetsi bakuru b'igihugu.

Lt MUGISHA ARLÈNE

Ikontenja ya 11 y'ingabo z' Uburundi zo mu rwego rwa MINUSCA zaratanguye icese ubutumwa

Ikontenja ya 11 y'ingabo z' Uburundi zo mu rwego rwa MINUSCA yaratunganije kw'igenekerezo rya 19 Myandagaro 2026 i Sibut ibirori vyo guhana uburongozi hagati y'ikontenja ya 10 n'iya 11 yarungitswe mu gihugu ca Centrafrika. Bihagarariwe n'uwurongoye akarere ko hagati ka MINUSCA, General de Brigade Mostafa Ahmed Adel, ivyo birori bikaba vyasozera ubutumwa bw'ikontenja ya 10 irongowe na Colonel MANIRAKIZA Théobard vyongera bitanguza icese ubutumwa bw'ikontenja ya 11 irongowe na Colonel NDAYISENGA Désiré.

Inyuma y'umwaka urenga mu butumwa bwa MINUSCA, ikontenja ya 10 y'ingabo z'Uburundi yarasozereye ubutumwa yongera ishikiriza icese umugumya ikontenja ya 11. Mu birori ikontenja ya 11 yarashimye cane ibikorwa vyaranguwe n'uwo akoreye mu ngata hamwe mbere n'abagize ikontenja ya 10 muri rusangi. Yaciye aboneraho akaryo ko kwiyemeza icese ko agiye kubandanya Yarashimye ubunyamwuga n'ukwitanga haba mu bihe bigoye iyo kontenja yerekanye mbere aranamenyeshako basize izina ryiza n'icitegererezo kw'ikontenja ya 11 aho yanayihamagariye kubibungabunga.



Ibisikanya hagati y'ikontenja ya 10 igombowe n'ikontenja ya 11

vyo guhana uburongozi, Colonel MANIRAKIZA Théobard yarashikirije ivyaranguwe n'ikontenja ya 10 arongoye. Ivyo navyo akamenyesha ko ingabo z'Uburundi zabandanije ibikorwa vya gisirikare zisunze Indinganizo y'ubutumwa bwa MINUSCA aho zashimikiye cane cane kugukingira abanyagihugu, gucungera amabarabara makuru makuru hamwe no gushigikira uburongozi burama bw'inzego z'igihugu.

Amaze gufata ijambo, Colonel NDAYISENGA Désiré arongoye ikivi aho mugenziwe yaragiteje na cane cane akazoshimikira kugushira inguvu ku bikorwa vya gisirikare, ku migenderanire n'indongozi za Centrafrika hamwe n'abanyagihugu baho. Yariyemeje kandi ko ikontenja ya 11 izobandanya irangurana ubunyamwuga, ubutumwa bwa MINUSCA mu kugira inyifato ibereye, kubahiriza amategeko hamwe n'izindi ngingo zose zategekanijwe n'ishirahamwe mpuzamakungu ONU.

Uwurongoye akarere ko hagati ka MINUSCA, General de Brigade Mostafa Ahmed Adel nawe kandi yarakeje ikontenja ya 10 ku bikorwa vy'iteka yaranguye.

Mu batumire bateye iteka ivyo birori, harimwo unupfasoni Lucienne Baka, buramatari w'intara ya Kagas. Kwishikira muri ivyo birori vy'ibisikanya, bikaba vyagaragaje agaciro kadasanzwe gafatiye kumigenderanire myiza iranga indongozi hamwe n'ingabo z'Uburundi ziri mu rwego rwa MINUSCA zikorera mu karere ko hagati.



Uwurongoye ikontenja ya 11 yiteguye kurangura neza ubutumwa bw'amahoro mu gihugu ca Centrafrika

Ingabo z'Uburundi zarungitswe mu gihugu ca Centre afrika kuva mu mwaka wa 2014 mu butumwa bwa MISCA bwahavuye buhinduka MINUSCA, muri kino gihe Uburundi kubaba bugeze kw'ikontenja ya 11. Hakaba haheze imyaka irenga cumi ingabo z'Uburundi ziriko zirashigikira bimwe biboneka mu mugambi wo kugarukana amahoro mu gihugu ca Centre Afrika.

Lt-Col BAZIRUTWABO HERMAN

Ivyaranguwe mu mezi atatu muri AUSSOM birashimishije

Inyuma yo gusuzuma ivyaranguwe mu mezi atatu arangiye, uwurongoye ikontenja ya 16 ya AUSSOM Jenerari de Brigade Ndenzako Michel arashima ivyaranguwe mu bisata bitandukanye bigize iyo kontenja kimwe cose muvyo kijejwe. Aratera intege abarongoye ivyo bisata kubandandanya muri iyo nzira kugira bahangane n'ibikorwa vy'aba al shabaab hamwe no kubandanya barangura neza ibikorwa bitegekanijwe mu mirimo itegekanijwe mubutumwa barimwo.

Ikontenja y'Uburundi igira 16 ya AUSSOM, yararanguye ibikorwa bishimishije mu mezi atatu arangiye mu gisata kijeje imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, mu bikorwa vy'imigenderanire hagati yabasirikare n'abenegihugu hamwe no mu gisata kijejwe inyigisho. Ivyo vyaranguwe vyarekana ukwitanga kw'abasirikare b'abarundi mu gushira mu ngiro ibikorwa bajejwe mu karere ka gatanu, muri Reta ya Hirshabelle. Kubijanye nivyo vyaranguwe, Jenerari de Brigade Ndenzako Michel yarashimye ivyaranguwe mu bisata vyose , aca aratera intege ibisata bitandukanye kugira babandanye bashiramwo inguvu mu kubandanya ibikorwa vya misi yose.

Yaribukije kandi akamaro mu gutunganya ibisata bitandukanye n'ababafasha muri ubwo butumwa kugira batange inyishu neza ku ntambamyi zijanye n'umutekano mu bikorwa vya gisirikare.

Mu nteguro y'ivya gisirikare, uwurongoye ico igisata muvyo kijejwe harimwo ibikorwa vya gisirikare Riyetena Koroneri Ntakiyiruta Gérard yameneyesheje ko ibikorwa vyo kukizura mu karere bishija 38 vyakozwe mu mezi atatu . Ivyo bikorwa biri mu ntumbero yo gushira inguvu mu gucungera umutekano mu karere bajejwe no mu kurwanya ibikorwa vyo guhungabanya umutekano bikorwa n'abashababu eka mbere no mu gukingira inzego, abanyagihugu hamwe n'inyubakwa ngirakamara zo muri ako karere.



Ibikorwa vy'abasirikare b'abarundi ba AUSSOM mu gufasha abanyagihugu ba Somariya bigenda neza



Ibikorwa vyo gukizura buri mwanya ni ntasubirizwa mu ntumbero yo guhangana na Al-Shabaab

Uwurongoye Kontenja yaramenyesheje kandi ko abasirikare bobandanya muri iyo nzira mukwama bagavye, mukugira indero ya gisirikare no kwitanga mu guhangana n'ibikorwa vy'iterabwoba vy'abashababu.

Mu gisata c'imigenderanira hagati y'abasirikare hamwe n'abanegihugu, ivyaranguwe vyashikirijwe n'uwurongoye ico gisata Riyetena Koroneri Niyongabo Damien yamenyesheje ko amaritiro 1 170 000 y'amazi yatanzwe kubanyagihugu, abagwaye bashika 1 819 baravuwe kubuntu barakira hongera harakorwa amanama n'abarongoye abandi hamwe n'abarongoye ico gisata ashika 35 mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire myiza hagati y'abasirikare ba AUSSOM n'abanyagihugu bo mu micungararo.

Mu bijanye no gukarihiriza ubwenge abasirikare , uwurongoye igisata kijejwe inyigisho, Riyetena Koroneri Ndayikunda Oscar, yamenyesheje ashimitse ko inyigisho zitari nke zatanzwe bafadikanije n'abasanzwe barongoye amashirahamwe bakorana. Izo nyigisho zari zifise intumbero yo kwongereza ubumenyi n'ubuhinga abasirikare bigatuma barangura neza ubutumwa bajejwe.

kontenja ya 16 ikaba yiyemeza kubandanya icungera umutekano kugira ubandanye umeze neza , yongere ikingire abanyagihugu ba Somaliya bisunze ibikorwa bitegekanijwe vya AUSSOM.

Lt-Col NDAYISABA ROGER

Ugufashanya mu bijanye n'amagara y'abantu birabandanya hagati y'Uburundi na Amerika

Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze kurugamba bubicishije kubitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge, kw'igenekerezo rya 28 Nyakanga 2026 bwaratunganije isozerwa ry'umwimenyerezo MERDREX (Medical Readiness Exercise) munyubakwa zivyo bitaro. Uwo mwimenyerezo wahuje abasirikare bo muri birigade ya 30 y'ubuvuzi y'igisirikare ca Amerika hamwe nábaganga bo kubitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge.

Uko umwaka utashe, ibitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge birakira abaganga n'abahinga bavuye mubihugu bitandukanye mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire myiza hagati y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi hamwe nibindi bihugu. Iyo migenderanire ifise intumbero yo gukomeza ubuhinga n'ubumenyi bwábakozi b'ibitaro. Ni muriyo ntumbro umwimenyerezo wiswe MEDREX uhuza abakozi bivyo bitaro hamwe n'abasirikare bo muri birigade ya 30 y'ubuvuzi y'igisirikare c'Amerika yari yatunganijwe mukiringo c'indwi zibiri ikaba yasozewe ku wa gatanu, igenekerezo rya 28, Nyakanga 2026 mubitaro vy'abasirikare mu Kamenge.

Umuserukizi mukuru mu bushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze kurugamba, Général-Major Ndorarigonya Grégoire yariyaserukiye umushikiranganji muri ivyo birori, yarashimye cane kwizina ry'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze kurugamba, ubuserukizi bwígihugu ca Amerika bwitavye uwo mwimenyerezo. Général-Major Ndorarigonya Grégoire arashimishwa n'umwimbu wabonetse muruwo mwimnyerezo agashimangira kukamaro k'ugukorera hamwe kurabo bahinga bo mu gihugu ca Amerika hamwe n'abo mu Burundi.

Uwurongoye ibitaro vy'abasirikare vyo mu kamenge, Général de Brigade Nimburanira Marc kubwiwe amenyesha ko uwo mwimenyerezo wagize akamaro kanini kubakozi bivyo bitaro mukubafasha kungura ubumenyi biciye muguhanahana ubumenyi hamwe nabagenzi babo bo mugihugu ca Amerika. Uko gukorera hamwe kwatumye abaganga hamwe n'abandi bakozi b'ibitaro bakarihirizwa ubumenyi mubisata bitandukanye nko mugisata cogukurikirana imbabare, igisata co kwitaho indembe, igisata co kubarwa, aho bavura amenyo, nico kwitaho abapfasoni n'ibibondo.

Yarongeye amenyesha ko hejuru y'ubufasha bwo kwa muganga, Umwimenyerezo MEDREX watanze nibikoresho vyo kwa muganga. Ati mbere abo bahinga bo mugihugu ca Amerika baratanze ubumenyi kubahinga bongaha iwacu mukubereka uko basukura ibikoresho ningene bobikora mugihe bipfuye. Ubwo bumenyi buzofasha mukubungabunga no gukoresha ibikoresho vya nkenerwa mukwitaho abarwaye.

Uwujejwe ibikorwa mu buserukizi bw'igihugu c'Amerika mu Burundi, Bridget Premont, yarasubiye kumenyesha ko igihugu ca Amerika kizokwama nantaryo gishigikira Uburundi kugira buhangane n'ibibazo vyibonekeza mugisata c'amagara y'abantu haba muri kubu canke muri kazoza.

Tubibutse ko umwimenyerezo MEDREX (Medical Readiness Exercise), watangujwe mu 2023, ukaba uri mu migambi itegekanywa mu myaka iri imbere. Ako kigoro kerekana ugushaka ku mpande zose mu gukomeza ubumenyi bw'abakozi bivyo bitaro hamwe no kubandanya bahanahana ubumenyi n'ubuhinga mu gisata c'amagara y'abasirikare.



Umugwi w'abaganga bo mu gisirikare ca Amerika hamwe n'abakozi bo ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge baratsimbataza imigenderanire mu mwimenyerezo MEDREX



Umwimenyerezo MEDREX watumye abawitavye bahanahana ubumenyi mubisata bitandukanye.

Lt MUGISHA Arlène

Urwego FDNB ntiruhengeshanya gufashanya hagati y'abasivire n'abasirikare muri EAC

Igisirikare c'u Burundi (FDNB) n'ibindi gisirikare vy'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko (EAC) vyaratunganije indwi yahariwe ibikorwa vyo gukomeza umubano mwiza hagati y'abasirikare n'abasivire (CIMIC). Ivyo bikorwa vyabereye muri gihugu ca Tanzaniya kuva kuwa 24 Myandagaro gushika ku wa 1 Nyakanga 2026. Nk'uko Umukuru w'Ingabo za Tanzaniya ivyashikirije, ngo ni akaryo keza ko gukorera hamwe no gukomeza ugusenyera ku mugozi umwe hagati y'abasirikare b'uwo muryango n'abanyagihugu

Uko umwaka utashe, ingabo z'ibihugu bigize EAC ziratunganya indwi yahariwe ibikorwa bihuza abasirikare n'abasivire uko umwaka utashe, aho baheza bakagendera igihugu baba batoye kugendera uko umwaka utashe. Ihangiro nyamukuru ry'ivyo bikorwa rero kukaba ari ugukomeza



Imfashanyo igizwe n'ibintu bitandukanye yarashikirijwe abenegihugu ba Tanzaniya

icizere n'umubano mwiza hagati y'abasirikare n'abasivile bo mu karere ka EAC. Ni no muri iyo ntumbero nyene urwego FDNB rwarungitse umurwi w'abasirikare mu ngihugu ca Tanzaniya kugira ngo bitabire ivyo bikorwa. Uyu mwaka, ukaba ubaye uwa gatandatu (6) ivyo bikorwa bitanguye.

Ku bijanye n'agakemanyi abasirikare b'Abarundi bari bitwaje, barashoboye gutanga imfashanyo y'agaciro k'amadolari ya Amerika agera kubihumbi icumi (10.000 USD) ku kigo c'impfuvyi ca Kurasini. Ikaba yari igizwe n'ibikoresho vyo munzu y'amanama, ivyo mu kigo c'ivuriro (dispensaire), ibikoresho vyo mubiro, ivyo mu buraro no mugikoni ; hamwe n'ibifungurwa n'ibindi bikoresho bitandukanye.

Muri ico gihe nyene, barakoze ibikorwa vyo gusanura ibibanza bitandukanye vy'ico kigo, bikaba vyatwaye amadolari ya Amerika ashika ku bihumbi mirongo ibiri (20.000 USD). Abasirikare b'Abarundi kandi, bari kumwe na bagenzi babo ba Tanzaniya, barakiriye abarwayi b'Abatanzaniya. Nzeyimana Léontine, aserukira Uburundi muri Tanzaniya yarateye iteka ibirori vyo gushikiriza iyo mfashanyo. Kabaye kandi akaryo ko kugendera ibitaro vya Ubungu kugira ngo atere intege abo basirikare b'Abarundi n'abo muri Tanzaniya mu gihe bariko barakira abanyagihugu. Yarakengurutse kandi ico gikorwa, aho yasiguye ko ari ikimenyetso kigaragaza umubano mwiza uri hagati y'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko ; ati: «Ni iteka ku Burundi no ku Muryango wa Afrika y'Ubuseruko».

Uwuramutswa ikigo c'impfuvyi ca Kurasini, Farida Ismael Kabezya, yarakengurukiye cane ingabo za EAC muri rusangi, na cane iz'Uburundi, Urwanda, Ubuganda, Tanzaniya, abasirikare b'Abarundi kuri ico gikorwa c'iteka. Yashikirije ati: « Turahimbawe kandi twashitswe ku mutima n'iyi mfashanyo yahawe impfuvyi zo muri iki kigo ca Kurasini ». Iyo ndwi y'ibikorwa yasozerewe ku wa 1 Nyakanga 2026 mu kibanza ca Lugalo Golf Club muri Tanzaniya. Uwo munsi ukaba wahuriranye n'ibirori vyo kwibuka isabukuru y'imyaka 62 iheze Igisirikare ca Tanzaniya (TPDF) kibayeho. Ibirori vyari vyatewe iteka n'Umukuru w'Ingabo za Tanzaniya, Jenerali Jacob John Mkunda. Yarashimye cane ibikorwa vyakozwe n'ibihugu bigize EAC ku banyagihugu ba Tanzaniya. Gén-Bde Gaspard Baratuza, arongoye igisata co kuremesha abasirikare n'imigenderanire hagati y'abanyagihugu (G9 mu mvugo ya gisirikare) ni we yari yaserukiye Umukuru w'igisirikare c'Uburundi muri ivyo bikorwa. Ingabo za EAC zari zitabiriye ivyo bikorwa zikaba zari



Ibikorwa vy'indwi yahariwe imigenderanire no gufasha abatishoboye muri EAC vyarashimwe cane n'abenegihugu ba Tanzaniya

abasirikare b'Abarundi kuri ico gikorwa Somaliya na Kenya.

Maj NGENZEBUHORO ALICE

Urwego FDNB rutunganya inyigisho mu kurangura neza ubutumwa

Ishure ry'igisirikare ryigisha imyuga riri ku Muzinda ariryo EMM mu mpfunyapfyunyo y'igifaransa, ryaratanze impapuro z'umutsindo ku-bisongerezi 60 bo mu gisirikare no mu gipolisi hamwe n'abasirikare batobato 86 harimwo n'abapolisi. Icegera c'uwurongoye igisata kijejwe ububiko n'ibikoresho mu rwego rw'ukwivunabansi rw'Uburundi Colonel Ngendakuriyo Dedith, ari nawe yari yateye iteka ivyo birori yaha-magariye abarangije ivyirwa gukoresha inyigisho baronkejwe ku nyungu z'igihugu muri rusangi, ku nyungu z'igisirikare vy'umwihariko eka mbere no ku nyungu zabo bwite.

Inyigisho zifise ikibanza kidasanzwe mu gisirikare c'Uburundi mu ntumbero yo kubandanye bagira igisirikare c'abanyamwuga babushitse. Ni muri iyo ntumbero nyene hatunganywa ivyirwa « Urwego rw'ukwivunabansi n'urwego rufise umurimo rwiharije, kubw'ivyo hategerezwa gutunganywa inyigisho kugirango abarugize babe abanyamwuga koko, muri izo hakaba harimwo ivyirwa vy'imyuga » nk'uko k'iryo shure. « Iri shure ryatanguye mu mwaka w'1990, rifise intumbero yo kwigisha ibisongerezi n'abasirikare bakorera mu vyo kubungabunga ibikoresho. Urutonde rw'ivyirwa rwo kuri iryo shure rwahavuye rushirwa ku rugero rw'ivyirwa bitangwa muyandi mashure y'imyuga mu mwaka w'2016 » nk'uko yabandanije abimenyesha. Kubijanye naho n'umwaka w'ishure bariko barasozera, yamenyeshejeko abanyeshure bamenye ku bice birenga mirongo icenda kw'ijana. Yasozereye atekerera impanuro abo banyeshure aho yabahamagariye kuzofata neza ibikoresho bazobaha kandi ko bosangiza abandi bazosanga aho bakorera ubumenyi baronkejwe.



Ibisongerezi 60 n'abasirikare batobato 86barasozereye ivyigwa muri EMM

bitandukanye hatibagiwe n'ibijanye n'imyuga. Urwo rwego rukaba rwarashizeho ishure ry'imyuga ry'igisirikare ariryo EMM rikaba ritumbereye ku Muzinda. Iryo shure rikaba ritunganijwe mu mirwi ibiri aho hariho ivyirwa bigenewe ibisongerezi hamwe n'ibigenewe abasirikare batobato. yabimenyesheje. Yarakeje abarangije ivyirwa kuri iyo ntambwe bateye mu buzima bw'abo bw'akazi aho yaciye abahamagarira kuba akarorero keza aho bazorungikwa gukorera mu gushira mu ngiro ivyo bigishijwe. Yarashimiye abarongoye iryo shure hamwe n'abigisha bitanze batiziganya

Iryo shure ryigisha imyuga ry'igisirikare ryo ku Muwinda rikaba rifise ibisata bine ku bisongerezi harimwo igisata c'umuyagankuba, igisata cerekeye inyubako n'ibikorwa vya leta, igisata kiraba ivyo gukora imiduga hamwe n'icubuhinga bwa none no gutumatumanako amakuru bakaba biga imyaka itatu bagaheza bakaronswa impapuro z'umutsindo. Naho kuruhande rw'abasirikare batobato, bakurikirana inyigisho mu bisata bitanu arivyo ; igisata c'umuyagankuba wo mu mazu, igisata c'ukubaza, ic'ugukora amazi, ic'ugufasha



Gutanga inyigishokubasirikare, birabafasha kuronka ubumenyi bukwiye mumyuga

Mu gihe kw'ishure ry'imyuga ry'igisirikare bari baramutse batanga impapuro z'umutsindo bongera basozera umwaka w'ishure w'2025-2026, Colonel Ngendakuriyo Dedith icegera c'uwurongoye igisata kijejwe ububiko mu rwego FDNB niwe yari muri ivyo birori yaragaje akanyamuneza bafise kw'izina ry'urwego rw'ukwivunabansi rw'Uburundi. kugira ivyirwa bigende neza. Ntiyibagiye kandi gushimira abarongoye urwego rw'ukwivunabansi rw'Uburundi rwatanze ibikenewe vyose kugira ivyirwa bibandanye.

Lieutenant-Colonel Olivier Muzinga, arongoye ishure ry'imyuga ry'igisirikare, mw'ijambo ryiwe yaragarutse kuri kahise kwubaka amazu hamwe nivy'ugufasha gukora imiduga bakaronswa impapuro zirangiza inyigisho inyuma y'amezi cumi.

Maj NTAKARUTIMANA RUTH

Umugirwa mw'ishure kaminuza ISCAM kubazoba indongozi muri FDNB

Ishure kaminuza ry'intwazangabo mu ntwaramiheto (ISCAM) ryaratunganije ku wa 12 Myandagaro 2026 ibirori vyo kuronsa amapete ku mugaragaro intwazangabo zisanzwe zigisha kur'iyo kaminuza hamwe n'imikangara isanzwe yiga mur'iyo kaminuza. Ico gikorwa kikaba uko umwaka utashe. Uwo mugirwa muri'yo kaminuza ukaba utunganywa mu ntumbero y'inyigisho no gutegura abazorongora abandi mu gisirikare.

Ibirori vyo kwambika amapete intwazangabo zigisha muri kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam hamwe n'imikangara yiga mur'iyo kaminuza ni umugirwa urwego rw'ukwivuna abansi wama utunganya uko umwaka utashe. Hambavu y'Ibirori , uwo mugirwa werekana kur'iyo mikangara imico n'inyifato nziza izoranga intwazangabo mu buzima bwabo nukugene bazorangura amabanga gufata nk'ibisanze ariko arivyo gufata kwari ikintu kigize imico n'imigezo biranga igisirikare. Yabandanije amenyesha ko uwo mugirwa ubera muri Iscam kuko ariryo shure ritegura abazorongora bandi mu gisirikare kandi kugira berekane uruhara rwa kaminuza Iscam mu vyerekeye imico n'imigenzo ku mikangara iriko irategurwa kuzoba indongozi mu gisirikare.



Umugirwa wo kwambikana amapete muri ISCAM werekana imico n'inyifato mu butumwa baba biteguriye

rugero rwiza rwo kurongora abandi mu makambi atandukanye kandi bashobore no gutunganya ibirori bitadukanye bibera mur'ayo makambi. Kubw'uyo arongoye Kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam, uwo mugirwa utuma haba kubandanya gukomeza imico n'imigenzo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

Koroneri Sabushimike Jonas yamenyesheje kandi ko kwambika amapete ku mugaragaro imikangara yiga mur'iyo kaminuza bifasha gukomeza indero ya gisirikare no gutegura neza abo bazoba indongozi mu gisirikare. Iyo mikangara mur'ivyo birori bakahungikira ibitari bike harimwo kumenya uruhara rw'urwego rw'ukwivuza abansi rw'Uburundi no kumenya uruhara rwabo nk'abitegura kuba indongozi mu gisirikare.

Ibirori vy'uwo mugirwa bikaba vyasozerewe na defire y'imirwi yose



Kubandanya kuzigama kahise k'imico, umutima wo gukorera hamwe nkuko urwego FDNB rubitegekanya

bazoba bajejwe.

Uworongoye kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto ISCAM, Koroneri Sabushimike Jonas yaramenyesheje ko uwo mugirwa n'ibirori bijanye atarivyo Uwurongoye kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto, koroneri Sabushimike Jonas yamenyesheje kandi ko mu gutunganya uwo mugirwa bituma iyo mikangara iyo barangije mur'iyo kaminuza bashobore gushika ku iyo mikangara isanzwe irimwo aho muri kaminuza Iscam nayone akaba ari nk'umugenzo iyo mikangara itegerezwa kubandanya ihererekana.

Capt BIGIRIMANA THADDEE
N° 175 Gitugutu 2026

Imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu imeze neza mu turere twa gisirikare twose

Nk'uko bisanzwe bitunganijwe uko amezi atatu arangiye, mu mpera z'ukwezi kwa Mukakaro kw'uwu mwaka w'2026, umukuru w'ibiro bijejwe imigenderanire mu rwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) yaragize urugendo mu turere dutandukanye twa gisirikare. Hari mu ntumbero yo kwirabira ingene imigenderanire hagati y'abasirikare n'abanyagihugu yifashe muri rusangi.

Uko amezi atatu aheze, hama hatunganijwe urugendo mu turere twose twa gisirikare ; ivyo bikaba bikorwa mu ntumbero nyamukuru yo kwishikira ku rubuga ngo bihweze ingene imigenderanire nijwe inkino z'ubucuti, zigahuza urwaruka rwo mu mihingo itandukanye n'abasirikare bo mu turere dutandukanye twa gisirikare. Nk'uko umukuru w'ibiro bijejwe imigenderanire abivuga, ivyo bikorwa vy'inkino bimu guhimiriza imisi yose abo barongoye kwama bubaha n'ukwubahiriza amatongo n'ubutunzi bwa FDNB. Gurtyo ngo ni mu ntumbero yo kwirinda imiyidodo n'amatati yohava yaduka.



Abagize urwego FDNB barikumwe n'abenegihugu birongereza icizere bagiriranira

hatati y'abasirikare n'abanyagihugu yifashe, hamwe no gutorera inyishu utunenge canke amatati yocafuza iyo migenderanire. Muri iki, kiringo kirangiye (Mukakaro-Myandagaro-Nyakanga 2026), umukuru w'ibiro bijejwe imigenderanire mu gisirikare c'Uburundi (FDNB), Koloneli Bukuru Jean Bosco, yamenyesheje ko ugufashanya n'abanyagihugu vyifashe neza ku butaka bwose bw'igihugu. Yagize ati : « Aho twaciye hose, twasanze abantu babanye neza kandi mu mahoro n'ugufashanya ntangere hagati y'abasirikare n'abanyagihugu. », niko Koloneli Bukuru Jean Bosco yamenyesheje.

Nk'uko yabandanije asigura, ngo iyo migenderanire n'umwumvikano si iyo ku karimi gusa. Bigaragarira kandi mu bikorwa bigaragara ku rubuga aho abasirikare n'abanyagihugu bama bari kumwe mu bikorwa vy'iterambere rusangi.

Iruhande y'ivyo bikorwa, hama hatungaraheza bikaba nk'ikiraro kibahuza kandi kigakomeza ukwizigirana, kigasambura igihome catuma imigenderanire itosekara.

Ikindi yongeyeko n'uko iyo habaye amatati, maze agashobora gutorerwa umuti neza, ngo ni ikindi kintu ciza cane kandi ngirakamaro mu bijanye n'imigenderanire n'abanyagihugu. Koloneli Bukuru Jean Bosco akaba yavuze ko mu gihe habaye amatati hagati y'umusirikare kanaka n'umungagihugu, ngo abasanzwe batwara uwo musirikare hamwe n'abajejwe intwaro mu karere, ngo baraheza bakaja hamwe kugira batore umuti biciye mu mwumvikano ntangere, atawurenganije uwundi, kandi hisunzwe amategeko n'umubano mwiza.

Hanyuma, ku bijanye n'uruhara rw'abajejwe intwaro, umukuru w'ibiro amenyesha ko abajejwe intwaro bafise uruhara rukomeye cane kuko aribo baheza bagafata iya mbere Kubwa Koloneli Bukuru Jean Bosco, izo ngendo zifise uruhara ntasubirizwa kuko zifasha kwishikira ku rubuga ukiyumvira kandi ukabona uko imigenderanire yifashe, ubuzima babayemwo, n'ingene ubuzima bwifashe muri rusangii kuko arizo nkingi z'umutekano. Ku ruhande rw'abanyagihugu, arabatera akamo ko kwubahiriza amatongo y'igisirikare no kubandanya basenyera ku mugozi umwe hamwe n'abasirikare.

Rubicishije muri izo bigendo z'isuzuma, urwego FDNB rurabandanya gutsimbataza ihangiro nyamukuru rwiyemeje ryo kuba igisirikare c'abanyamwuga babushitse, kuba hafi y'abanyagihugu baco, hamwe no gukorera igihugu, kugira ngo amahoro n'umutekano bisasagare mu Burundi.

Capt BIGIRIMANA THADDEE

Urwego FDNB rurarajwe ishinga ryo kurandurana n'imizi ihohoterwa rishingiye ku gitsina

Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), rubicishije mu gisata kijejwe intwaro no gutunganiriza abakozi, rwaratanguje igikorwa co kwigisha no guhimiriza abasirikare ku bijanye no kwirinda, gukingira abahohotewe, hamwe no guhana ihohoterwa rishingiye ku gitsina. Ico gikorwa kikaba cabereye mw'ishure kaminuza rya Gisirikare ISCAM. Hari kuwa 7 Nyakanga 2026.

Kuva kuwa 7 gushika kuwa 15 Nyakanga 2026, Urwego FDNB rwaratunganjije mu bigo bitandukanye inyigisho zerekeye kugwanya ihohoterwa rifatiye kuu gitsina hamwe no gukingirq ababa bashikiwe n'ayo mabi. Intumbero nyamukuru kukaba kwari ukwongereza ubumenyi bw'abagize urwego FDNB ku bijanye n'ihohoterwa rishingiye ku gitsina, ingene borirandurana n'imizi, n'uruhara bogira mu gukingira abashikiwe n'ivyago nk'ivyo.



Icegera cuwutwara igisata c'intwaro n'abakozi muri FDNB asigura ko ihohotegwa rishingiye ku gitsina ari ikibazo ku mutekano n'amagara y'abantu

Ibirori vyo gutanguza ku mugaragaro ico gikorwa vyari bihagarariwe n'icegera, c'uwutwara igisata kijejwe intwaro no gutunganiriza abakozi muri FDNB, Koroneri Nikodemu Miburo ku wa 7 Nyakanga 2026 mw'ishure Kaminuza ISCAM. Mw'ijambo ryiwe, yaribukije ko ihohoterwa rishingiye ku gitsina ari ikibazo gihambaye cane ku bijanye n'umutekano, amagara y'abantu n'agateka ka zina muntu. Yaciye aboneraho akaryo ko gusaba abagize urwego FDNB bose kugira uruhara ruhambaye mu kurwanya ako kabi, gukingira abahohotewe, na cane cane bakama birinda ingeso yo kudahana abakoze ihohoterwa.

Inyuma yo kwugurura inyigisho ku mugaragaro, ihimiriza ryarabandanije gushika ku wa 15 Nyakanga 2026 mu bigo bitandukanye ; aha twovuga mw'ikambi ijejwe kugwanya ibitero vy'indege (DCA), ikigo kijejwe gutegura abasirikare baja mutumwa bwo kugarukana amahoro co ku Mudubugu, hamwe no mw'ikambi y'112, iy'111, n'iy'121.

Mu biganiro vyari bitegekanijwe, abashikirije ivyiyumviro n'intererano bose baragarutse ku bintu nyamukuru bijanye n'ihohoterwa rishingiye ku gitsina. Riyetena-Koroneri Murekerisoni Claudine arongoye Ibiro vy'iterambere ridakumira muri FDNB, mu kiganiro yatanze, yerekanye ko ihohoterwa rishingiye ku gitsina rishobora kugaragara mu buryo butandukanye, harimwo guhohoterwa kumubiri, iryo mu mutwe n'amarangamutima, iry'ubutunzi, hamwe n'ihohoterwa rifatiye kugitsina.

Kubwa Riyetena-Koroneri Ntakirutimana Léonard, umuhinga mu bijanye n'amagara yo mu mutwe, nawe nyene yarasobanuye ingaruka z'ihohoterwa rishingiye ku gitsina ku bahohotewe, akaba yashimikiye cane cane ku ngaruka mbi zavyo mu bijanye n'amagara yo mutwe, hamwe no mu muryango wa nyene kubikorerwa.

Umuhinga mu vy'amategeko nawe, Kapiteni Bisengimana Samson, yamenyesheje ko ihohoterwa rishingiye ku gitsina kiri mu mabi ahungabanya bikomeye agateka ka zina muntu. Yaranashimangiye ko igihugu c'Uburundi, cane cane urwego FDNB, bisanzwe bifise amategeko atomoye ajanye no kurwanya no guhana ayo mabi. Yarahejeje ahamagarira abagize FDNB kugira uruhara ntangere mun gukinga no kurwanya ihohoterwa rishingiye ku gitsina.



Gukinga amabi ashingiye kugitsina ni igikorwa ca burimuntu wese

Mu Burundi, itegeko rijanye no kwirinda, gukingira abahohotewe, no guhana ihohoterwa rishingiye ku gitsina ryatanguye gushirwa mu ngiro ku wa 16 Ruheshi 2016.

Maj CIZA ANATOLE

Urugendo rw'intwazangabo z'Abazambiya mu Burundi, ni akaryo keza ko gusangira ubumenyi n'ubunararibonye.

Intwazangabo 18 zo mw'Ishure kaminuza ryigisha ivyo gutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo rya Kamwala muri Zambiya, zaragendeye Uburundi kuva ku wa 27 Nyakanga gushika ku wa 2 Gitugutu 2026. Urwo rugendo rwari mu nteguro yo guhanahana ubumenyi n'ubunararibonye hagati y'amashure ya gisirikare, rukaba rwari rugamije kwongerereza ubumenyi abanyeshure, gukomeza ubufatanye hamwe n'imigenderanire hagati y'ibisata bijejwe inyigisho za gisirikare murivyo bihugu vyose.

Amashure ya kaminuza yigisha ivy'ugutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo yo mu bihugu bitandukanye, aratunganye ivyo guhanahana abanyeshure n'abigisha hamwe n'ingendo z'abanyeshure hagati y'ayo mashure zigamije gusabikanya ubumenyi n'ubunararibonye, gukomeza uburyo bwo kwigisha no gukomeza ubushobozi bw'abanyeshure, kadasanzwe k'Ikiyaga Tanganyika mu bijanye n'ibidukikije hamwe n'umutekano, gukomeza ubufatanye mu bijanye n'inyigisho zo kubungabunga amahoro n'ukwitegura ibikorwa vya gisirikare, hamwe n'uguhanahana ibidandazwa hagati y'Uburundi na Zambiya n'izindi nteguro



Amashure ya gisirikare y'Uburundi na Zambiya arabandanya gusabikanya ubumenyi no gufashanya

cane cane mu bijanye no gukorana neza n'abandi no guteza imbere uburongozi bwiza bushingiye ku bumenyi n'ubuhinga. Ni muri iyo ntumbero nyene intwazangabo z'Abazambiya zagendeye Uburundi.

Urugendo rwatanguye ku wa 28 Nyakanga 2026 ku biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), aho izo ntwazangabo zahawe umubonano n'icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Lieutenant-Général Jean Paul Habimana.

Inyuma yo guha ikaze izo ntwazangabo z'Abazambiya, yaribukije ubucuti n'amateka bihuza Uburundi na Zambiya, cane cane biciye ku Kiyaga Tanganyika, gifatwa nk'umukanda ufatanya ivyo bihugu bibiri, ndetse n'akarere kose muri rusangi.

Inyuma y'aho, izo ntwazangabo zaritavye ivyigwa bitandukanye vyatangiwe muri kaminuza ya gisirikare (ISCAM), mw'Ishirahamwe ryo Kuziganya no Kuguranana ry'Abasirikare (CECADM), hamwe no mu kigo c'igihugu kijejwe uruja n'uruza rwo mumazi n'ikivuko (AMPB). Mu vyigwa vyashikirijwe harimwo akamaro zitandukanye zo muri kazoza.

Ivyo bikorwa bitandukanye vyerekana akamaro k'imigenderanire yatanguye kera muvy'ubutunzi hagati y'Uburundi na Zambiya, aho Ikiyaga Tanganyika gifasha guhuza ibisata bitandukanye vy'ubuzima bw'ivyo b'ibihugu n'abanyagihugu.



Mu rugendo bagize intwazangabo za Zambiya zarashimishijwe n'ingene zakiriwe

Izo ntwazangabo zararonse akaryo ko kugendera ikivuko ca Bujumbura, bongera baraganira ku bijanye n'iterambere ry'ibikorwa remezo vy'ibivuko, harimwo imigambi ijanye n'ikivuko ca Bujumbura hamwe n'ica Mpulungu muri Zambiya.

Inyuma y'igisagara ca Bujumbura, izo ntwazangabo z'Abazambiya zararonse akaryo ko kumenya neza itunga ndangakaranga ry'Uburundi, biciye mu kugendera isôko ya Nili hamwe n'amazi akoroka ava hejuru cane ya Karera, mu ntara ya Burunga, hamwe n'Ikigo c'abavuzi b'Ingoma ca Gishora, mu ntara ya Gitega.

Mu birori vyo gusozera urwo rugendo, ku wa 2 Gitugutu i Bujumbura, Général de Brigade Nestor Nibayubahe, arongoye Ishure kaminuza ryigisha ivyo gutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo riri mu Kinanira, akaba yari yaserukiyr Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi murivyo birori, yarashimiye ubuyobozi bw'Ishure rya Zambiya kuba bwarahisemwo Uburundi nk'igihugu co kugendereramwo. Yaribukije kandi ko Ishure arongoye ryagize urugendo nkurwo kuriryo shure rya Zambiya.

Ku ruhande rwiwe, Colonel Victor Sikazwe, yaje arongoye izo ntwazangabo z'Abazambiya, yasavye ko iyo migenderanire yokomezwa biciye cane cane mu guhanahana abanyeshure n'abigisha hagati y'ayo mashure abiri.

Urwo rugendo rwarangiye impande zose zishigikira gukomeza imigenderanire no gukomeza ubufatanye mu bijanye n'inyigisho za gisirikare hagati y'Uburundi na Zambiya.

Capt BIGIRIMANA THADDEE

Uwurongoye Ikontenja y'11 y'abarundi aributsa abasirikare amategeko ngenderwako yerekeye ubutumwa barimwo

Uwurongoye ikontenja y'11 y'Abarundi mu rwego MINUSCA, Koroneri Ndayisenga Désiré, yaragendeye kuva kw'igenekerezo rya 19 Nyakanga gushika kw'igenekerezo rya 1 Gitugutu 2026 ibirindiro vyose bigize iyo Kontenja. Yaratunganije ibiyago n'abasirikare b'abarundi bakorera muri MINUSCA mu ntumbero yo kubibutsa amategeko akurikizwa kugira barangure neza ubutumwa bwa MINUSCA.

Mu ntumbero yo kwitwararika kuguma hafi y'abasirikare arongoye hamwe no kumenya uko barangura imirimo ya minsi yose agenga ubutumwa bw'amahoro mu rwego mpuzamakungu. Kuri buri kimwe kimwe, abasirikare baraseruye akari ku mutima, ivyo bikaba vyatumye uburongozi bwa neza ko kugira ibikorwa bishike ku ntumbero nziza bizoshimikira ku ndero rusangi. Abasirikare barahamagariwe kwama biteguye, kubungabunga





Uwurongoye ikontenja ya 11 aributsa abasirikare kugendera inkingi z'urwego FDNB

aho bari ku birindiro bitandukanye, Koroneri Ndayisenga Désiré arongoye ikontenja ya cumi na rimwe yarishikiye ku rubuga ahasanzwe hari ivyo birindiro. Izo ngendo zatanguriye ku kirindiro c'i Damara kw'igenekerezo rya 19 Nyakanga, mu nyuma zabandanirije i Bangui kw'igenekerezo rya 20 Nyakanga, ku cicaro gikuru ca Kontenja i Sibut hari kw'igenekerezo rya 25 Nyakanga, yarangirije ingendo ku kirindiro c'I Grimari kw'igenekerezo rya 01 Gitugutu.

Kuyaga n'abasirikare kwari gufise intumbero yo kwiyegereza abasirikare, kwumva ibibaraje ishinga hamwe no kubibutsa ibisabwa n'ubutumwa bw'amahoro ku rwego mpuzamakungu mu gihugu ca Centrafrika. Ibiganiro vyari vyerekeye kandi uko umutekano wifashe mu turere ikontenja ikoreramwo, ibikorwa vya minsi yose bahamagariwe, ibituma abasirikare bashirwa ku buzi hirya no hino, indero ya gisirikare, ugufatana mu nda, guhimiriza abasirikare kwama barikanuye, hamwe no kwubahiriza amategeko kontenja bugira urufatiro ruboneka ku biba hamwe no gutanga inyishu zishimishije.

Koroneri Ndayisenga Désiré yarashimitse cane ku nyifato ibereye y'akarorero, haba mu gihe co kurangura ibikorwa vya gisirikare canke mu migenderanire n'abenegihugu hamwe n'abakorera mu zindi nzego za MINUSCA. Yaribukije ko umusirikare wese aserukira ikontenja, urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi FDNB ndetse n'igihugu. Yarashimangiye cane cane ku mategeko ngenderwako y'ubutumwa bw'amahoro: Kutagira aho wegamira, kwubahiriza agateka ka zina muntu, gukingira abenegihugu, kutihanganira ingeso zijanye n'ubushurashuzi hamwe no gukurikiza ataco ukuyeko amabwirizwa agenga akazi muri MINUSCA.

Yarahamagariye kandi abasirikare kwama bitondera inkingi z'Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi FDNB hamwe no gukomeza gufatana mu nda, gufashanya no kurangwa n'ubumwe ku birindiro, yemeza ibikoresho bigume bimeze neza hamwe no kwama biteguriye ibikorwa vya gisirikare bibaye nkenerwa.

Uburundi bufasha mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro mu gihugu ca Centrafrika kuva mu mwaka w'2014. Bwinjiye ubwa mbere mu butumwa bw'amahoro MISCA, ikontenja yatanguranye n'ubutumwa bw'amahoro MINUSCA kw'igenekerezo rya 15 Nyakanga 2014, itariko yo kubisikanya hagati y'ubwo butumwa bubiri.

Lt-col BAZIRUTWABO HERMAN

Abanonotsi b’abasirikare bigenjeje neza mu nkino mpuzamakungu

Abanonotsi 5 babasirikare bo mu rwego rw’ukwivuna abansi rw’Uburundi (FDNB) baherutse kuronka imyanya myiza ibemerera kuzokwitabira amahiganwa mpuzamakungu. Ubwo burenganzira rero bakaba baburonse mu mahiganwa y’isi yabereye muri Danemark ku magenekerezo ya 18 na 19 Nyakanga umwaka w'2026.

Mu mahiganwa yo gusiganwa mu kwiruka, umugwi Muzinga wegukira urwego rw,ukwivuna abansi rw’Uburundi wamye uri ituta riramura abanonotsi babarundi. Bamwe muri abo banonotsi bakaba bamaze guserukira igihugu imyaka myinshi kandi ibendera ry’igihugu rikaba ryaragiye riduzwa. Nubu, urwego FDNB rukaba rufise abanonotsi beza basanzwe bakorera imyimenyerezo mu mahanga na cane cane nko mu gihugu c’Ubutaliyano kandi basanzwe bakora bitabira amahiganwa mpuzamakungu. Batanu muri abo banonotsi bakaba baheruka guserukira Uburundi mu mahiganwa yo gusiganwa mu kwiruka mu mabarabara aheruka kubera muri Danemark ku magenekerezo ya 18 na 19 Nyakanga 2026. Mu mahiganwa yo gusiganwa ku km 21, bakaba bari 1Cl Bizoza Thérence, 1Cl Hafashimana Emile na 1Cl Irakoze Thierry. Ku birometero 5000 , bakaba bari 1Cl Sindayikengera Elie na 1Cl Nizigiyimana Tharcisse. Abo bose uko ari batanu bakaba barashoboyekuronka imyanya myiza ibemerera kuzoja mu mahiganwa yimirije. Inyuma yiryo higanwa, abanonotsi batatu ba Barundi bakaba aribo bafashije Uburundi gufata ikibanza ca gatanu inyuma ya Kenya, Ethiopia, Leta zunze ubumwe za Amerika n'Ubuganda.



Abasirikare b’Abarundi mu mahiganwa yo kwiruka ibirometero 10 muri Danemark



Umusirikare 1Cl Bizoza Jean Bertrand ni we yabaye uwa gatatu mu mahiganwa yo kwirukaibirometero 10 muri Danemark

Mu mahiganwa yaha iwacu, abanonotsi babasirikare bakaba bavyifashemwo neza mu mwaka wamahiganwa uheze watunganijwe n’ishirahamwe ryo kwinonora imitsi ariryo Fédération d’Athlétisme du Burundi. Abanonotsi 4 bo mu mugwi wa Muzinga akaba aribo baza imbere. Nabo bakaba ari Caporal Niyonkuru Boniface asanzwe ari uwa mbere ku metero 5000. Ku metero 1500, ni Caporal Ndayisenga Mélance ari uwa mbere. Ku metero 800 ni 1Cl Ndayihimbaze Fidèle aza imbere ku rutonde rwaha iwacu nayo 1Cl Ndikumwenayo Adrien akaza imbere ku metero 400. Umumenyereza w’umugwi Muzinga Adjudant-Major Manirakiza amenyesha ko naba nyene bashobora guhamvya bakuru babo mu gihugu c’Ubutaliyano canke ahandi kubw’imyanya myiza bafise. Yarongeye ashikiriza ko ari akaryo keza iyo imigwi yo hanze isavye abanonotsi basanzwe ari abasirikare babarundi kuko nkakarorero iyo bashitse mu butaliyano, haba hari amahiganwa menshi mu mwaka kandi iyo hageze amahiganwa mpuzamakungu baca baserukira igihugu.

Maj NININAHAZWE J.M.V